# Ku bavyeyi b'umwana w'umunyamwema,

UMWANA WANYU NI UMUGISHA
Imana yarabahezagije umwana w'umunyamwema canke umwana afise ukuntu kuzwi nk'ubunyamwema. Yarabahezagiye.

UMWANA WANYU NTARWAYE. ARATANDUKANYE GUSA N'ABANDI.
Umwana wanyu ntarwaye. Umwana wanyu afise gusa ico bita ubunyamwema. Eka si indwara. Eka nta migera canke ibindi bintu bisa nka vyo bibitera. Si ikintu na kimwe gisa nk'indwara. Umwana wanyu ntiyagize urwo rukoba rutukura arwanduye, kandi nta muntu n'umwe ashobora kurwandura ngo n'uko ari hafi y'umwana wanyu.

Ntaco uba ukoze ku mwana wawe canke umubaye hafi. Ntaco uba umuhobereye canke umugumije ku bibero. Nimba umwana wawe ari uruhinja, ntaco woba umwonkeje. Umwana wawe ntarwaye.

UMWANA WANYU NI UMUGISHA SI UMUVUMO
Ubunyamwema ntibuterwa n'impwemu canke utumana. Ntibuzanwa n'umuvumo, kandi si umuvumo kugira umwana w'umunyamwema. Umwana yama ari umugisha uva ku Mana iminsi yose. Kugira umwana w'umunyamwema ntibisigura ko hari ibintu bibi bizoshikira umuryango wanyu. Igihe cose hari ingorane, si umwana aba ariko arazitera.
Umwana yama ari umugisha uva ku Mana iminsi yose.

Ubunyamwema ntibuterwa n'uko hari awarenze ibigo yaba umugabo canke umugore. Uwo n'umwana WANYU, adasanzwe, umwana w'umukundwa, umugisha uva ku Mana. Umwana ni umugisha, ariko agiye guhura n'intambayi kanaka. Arakeneye urukundo no kwemerwa no gushigikirwa biva ku bavyeyi bose mugihe bishoboka. Arakeneye urukundo no gushikirwa VYANYU vy'ukuri.

KUBERA IKI UMWANA WANYU ARI UMUNYAMWEMA
Imana irakunda ubudasa. Yaremye amabara menshi hamwe n'amoko atandukanye y'abantu muri ino si yacu kandi irayakunda yose. Imana yarabaremye kandi niyo yabumvye umwana wanyu mu nda yawe. Irabakunda, kandi irakunda n'umwana wanyu. Ubunyamwema ni ibintu bijanye no guhanahana ubuzima canke n'ivuka ry'umwana, ivyo bisigura ko biva ku bavyeyi. Ariko turazi ko Imana ariyo itwara vyose. Imana ntishaka ko amashurwe yose asa. Mbega ntiduhimbarira amabara atandukanye mw'isi yaremye. Yipfuza ko n'abana bagira amabara atandukanye. Ibara ryose ni ryiza nk'irindi kuko ni Imana yayaremye yose.

KUBERA IKI HARI ABASHOBORA GUTINYA
Nimba hari abasa nk'abatinya umwana wanyu rimwe na rimwe, n'uko gusa badatahura ico arico ubunyamwema. Abantu kenshi baratinya ivyo badatahura. Barashobora gutinya ko umwana wanyu arwaye kandi ko yobandukiza. Uko si ukuri.

Bashobora kuba batinya ko umwana wanyu yoba afise umuvumo uva k'utumana. Uko si ukuri. Imana irakunda umwana wanyu. Umwana wanyu ni umugisha uva ku Mana.

Umwana wanyu ntasa nk'abandi bana, ariko ameze nka bo ahanini.

UWANA WANYU ARASHOBORA KUGIRA UBUZIMA BWIZA
Abantu benshi b'abanyamwema barakuze barashobora gukora ibintu bikomeye cane. Bamwe mu baririmvyi bazwi cane, abari mu ma Leta hamwe n'abikorera ivyabo ni ba nyamwema. Afashijwe n'Imana, umwana wanyu arashobora gukora ikintu cose abandi bantu bakora.

-----------------------------------------------------------------

Vyateguwe na Ibikorwa kwa Buri Mwana
"Ivyizigiro ku bana bibagiwe bo muri Afrika"
Email ecmafrica@ecmafrica.org
Vyahinduwe mu Kirundi na Fabrice Bayubahe

Every Child Ministries
Hope for the forgotten children of Africa

Abantu benshi bafise ubunyamwema baraciye ubwenge gose. Barashobora kwiga nk'abandi bose. Barashobora kuja kw'ishure. Barashobora gukora neza mu vyigwa vyabo. Bamwe mu bana b'abanyamwema barafise ingorane zo kubona. Nimba umwana wanyu afise ingorane mw'ishure, muraraba neza ko ahobora kubona ku kibaho. Muraraba neza ko ashobora kubona mu bitabo vyiwe. Murabaza umwigisha ko umwana wanyu ashobora guhindura ikibanza akaja aho ashobora kubona neza gusumba.

Abantu bafise ubunyamwema barashobora gusaza ku rugero rusanzwe nk'abandi bantu bose. Ingorane imwe gusa ishobora kubibuza ni kansere y'urukoba. Turaza kuganira ingene twokwirinda ivyo mu kanya.

INGENE MWOFASHA ABANA B'ABANYAMWEMA KU NGORANE ZIBIRI NYAMUKURU BAHURA NAZO

Hariho ingorane zibiri abantu ba nyamwema bakunda guhura nazo, kandi hariho ivyo mwokora kugira ngo izo ngorane ntizibabaze cane umwana wanyu.

<u>Rimwe, amaso y'umwana wanyu ntafise meranine yirabura ikingira izuba amaso y'abandi bana</u>. Amaso y'umwana wanyu aroroshe cane iyo ahuye n'umuco kandi arashobora gusha vyoroshe. Umwana wanyu arashobora gukingira amaso yiwe mu kwama yambaye amarori y'izuba igihe cose ari hanze ku murango. Arashobora no kwambara inkofero ifise ahaseruka imbere hashobora gupfuka amaso yIwe. Abakirisu bakunda Yesu barungikiye umwana wanyu akaganuke k'amarori y'izuba. Turizeye ko azofasha amaso y'umwana wanyu. Tuguhaye kano kaganuke kugira ngo tubereke gusa ko Imana ibiitayeho mwebwe n'umwana wanyu. Yipfuza ko umwana wanyu agira ubuzima bwiza kandi ko aba umugenzi wayo ibihe vyose.

Ukubona kw'umwana wanyu gushobora kuba kandi guto mu bundi buryo. Nimba umwana wanyu afise ingorane zo kubona mw'ishure, mukwiye kubaza umwigisha wiwe nimba ashobora kwimuka ukegera mu kibanza kiri imbere mw'ishure. Nimba mwipfuza ubundi burongozi bwobasabira ku mwigisha w'umwana wanyu ibisa nk'ivyo, Ibikorwa kuri Buri Mwana (ECM) izohimbarwa no kuguha ikete ryo kubisaba.

<u>Kabiri,mushobora kuba mwaramaze kubona ko umubiri w'umwana wanyu wororoshe cane kandi ushobora gusha vyoroshe. Kubera ivyo, urukoba rwiwe n'umunwa wiwe biragira ibiguma vyoroshe cane. Ba nyamwema benshi baragira ibiguma kandi barafatwa n'indwara ya kansere y'urukoba kubera urukoba rwabo rudafise ibikenewe ngo rukingire umubiri imishwarara yonona y'izuba.</u>

Hariho ibintu bike mwokora kugira ngom ukingire urukoba rw'iwe izuba. Ubwambere, gerageza kwirinda gushira umwana wanyu hanze ku zuba kuva hafi isaha zine z'igitondo gushika isaha cumi. Muri ico gihe c'umunsi imishwarara y'izuba iba ariho ishushe gusumba kandi iba irasa itumbereye gusumba kandi irashobora kubabaza umwana wanyu gusumba mu bindi bihe. Muri ico gihe rero umwana wanyu akwiye kuguma mu nzu canke kuguma mu gatutu umwanya munini ushoboka. Ibikorwa vyo muhira bibera hanze bikwiye gukorwa kare mu gitondo canke ku kagoroba igihe imishwarara y'izuba iba atakintu kinini yonona.

Murashobora kandi gukingira urukoba rw'umwana wanyu mu kumwambika impuzu z'amaboko maremare. Ishati zera canke zisa nk'umuco zikozwe mu pampa canke ipantaro ndende canke ibutura ndende zizokingira urukoba rw'umwana wanyu kandi zirasire ahandi imishwarara y'izuba. Akwiye kwama yugaye ibipfungo vy'ishati yiwe gushika hejuru. Arashobora no kwambara inkofero ifise ahantu haseruka hanini hashobora gupfuka no gukingira mu maso no mu matwi hiwe. Arashobora kandi no kwisiga amavuta azibira izuba kugira akingire umubiri. Ni ngirakamaro cane ku bice vy'umubiri bitazoba bipfutswe. Murabe neza ko umwana wanyu yayasize ku bihimba vy'umubiri biri hanze y'amatwi yiwe n'amazuru yiwe. Kirazira ko ashira ayo mavuta mu maso yiwe. Amavuta y'inazi ntazozibira izuba mugabo ni meza ku mubiri w'umwana wanyu kandi arashobora kumukingira bimwe mu bibi bishobora guterwa n'izuba. Akora nk'umuti woroshe ubuza imishwarara y'izuba kugira ivyo yonona ku rukoba rw'umwana wanyu.

Mwoshobora gusiga amavuta y'inazi ku mubiri w'umwana wanyu mw'ijoro canke mu gihe c'imvura mu gihe ari mu nzu.

Murasaba umwarimu w'umwana wanyu kumwihanganira ku bijanye n'icigwa co kwinonora imitsi kenshi na kenshi usanga kibera mu bushuhe, mu gihe c'izuba, yambaye impuzu ahanini usanga zidapfuka umubiri ngo ziwukingire ibibi biterwa n'izuba. Ishirahamwe Ibikorwa kwa Buri Mwana (ECM) rizohimbazwa no kubafasha mu kubaronsa ikete ryo kubibasabira. Umwana wanyu arashobora gukora ibikorwa ngirakamaro bibera mu nzu canke ahapfutse mu kibanza c'ico cigwa co kwinonora imitsi.

IMANA IRABAKUNDA N'UMWANA WANYU
Iminsi yose muze mwame mwibuka ko Imana ibakunda kandi ikunda umwana wanyu. Umwana wanyu ni umugisha udasanzwe uva ku Mana. Muri abahambaye imbere y'Imana, kandi n'umwana wanyu w'umunyamwema ni uko nyene. Ikunda umwana wanyu uko nyene ameze. Umwana wanyu ashobora kuba umugisha ku muryango wanyu no kw'isi.

KINGIRE UMWANA WANYU ABAMUSHINYAGURIRA
Abandi badatahura ubunyamwema barashobora kubashinyagurira canke bagashinyagurira umwana wanyu. Barashobora kuvuga ibintu bibi, bibabaza. Barashobora no kwibaza ko ivyo bavuga ari ukuri. Mukwiye kuvugira no gushigikira umwana wanyu. Nimba abandi bashinyagurira umwana wanyu mwebwe mukwiye kumwumirako. Umwana aba ari muto cane kandi ata bushobozi bukwiye afise ngo ashobore guhanga ako gashinyaguro k'abandi bantu ari we nyene. Agashinyaguro karashobora gutera ingorane zamaho kandi zikomeye mu kwitahura kw'umwana. Karashobora kubuza umwana wanyu gushika kuvyo ashoboye vyose nk'ikiremwa muntu.

MUTERE INTEGE UMWANA WANYU- NI UMUGISHA UKOMEYE
Abantu bamwe bamwe badatahura kandi ata kinini bazi ku bunyamwema bashobora kubona umwana wanyu nk'umuvumo. Ni nkenerwa rero ko mubwira umwana wanyu kenshi cane ko ari umuhezagiro kuri mwebwe. Arakenewe, arakunzwe, aremewe. Ivyo bizotuma umwana wanyu agira amahirwe mu buzima gusumba ibindi bintu vyose mwokora.

MURAFISE IBINDI BIBAZO?
Ni ibihe bibazo mufise bijanye nivyo twavuze canke kubijanye no kuba nyamwema kw'umwana wanyu?

Ni izihe ngorane umwana wanyu yahuye nazo nka nyamwema?

Ni izihe ngorane umuryango wanyu wahuye nazo mu kurera umwana wanyu w'umunyamwema ?

Ibikorwa kwa Buri Mwana Uganda
Agasandugu k'amakete 28080
Kampala, Uganda

e-mail: ecmuganda@yahoo.com

www.ecmafrica.org

---

Vyateguwe na Ibikorwa kwa Buri Mwana
"Ivyizigiro ku bana bibagiwe bo muri Afrika"
Email ecmafrica@ecmafrica.org
Vyahinduwe mu Kirundi na Fabrice Bayubahe

Every Child Ministries
Hope for the forgotten children of Africa

INSIGURO ZISAGUTSE MU KUGERAGEZA GUSIGURA IVY'IHANAHANA RY'UBUZIMA N'IVUKA RY'UMWANA
UBIKORESHE GUSA MU GIHE ABAVYEYI BIZE CANKE BASAVYE INSIGURO ZISAGUTSE:

Nimba umwana w'umunyamwema atarwaye , ni kubera iki none umubiri w'umwana wanyu utukura?
Uku niko bigenda:

Umuvyeyi w'umugore wese arafise muri we irigi. Irigi rirakorwa mu gitereko c'iwe buri kwezi.

Umuvyeyi wese w'umugabo arafise muri we imbuto. Imbuto nyinshi zirakorwa igihe cose. Irigi n'imbuto bimeze nk'imbuto z'umuntu mushasha. Iyo bihuye, umuntu mushasha aba akozwe.

Naho ari nto gose, irigi ryose n'imbuto yose itwara muri yo uburyo bwo kwimmenyekanisha. Ubwo buryo bwo kwimenyekanisha nibwo buhitamwo ingene urwo ruhinja ruzoba rumeze. Umuvyeyi w'umugore afise igice c'ibivamwo umwana n'umuvyeyi w'umugabo nawe akagira igice c'ibivamwo umwana. Iyo bihuye, uruhinja ruca ruronka ibikwiye kugira rukure.

Ivyo bintu vyo kwimenyekanisha bivamwo umwana nivyo vyerekana nimba urwo ruhinja ruzoba umuhungu canke umukobwa, nimba ruzoba munini canke muto muto, nimba ruzogira imishatsi y'intetere canke y'irende. Ivyo bintu vyo kwimenyekanisha ni navyo vyerekana ingene urukoba rw'uruhinja ruzoba rumeze, ingene amaso azoba ameze. Ivyo bintu bijanye no kwimenyekanisha ni vyo bivamwo umwana ni na vyo bimenyesha ibintu vyose bijanye n'urwo ruhinja rushasha. Ingene urwo ruhinja rugenda rurakurira mu nda ya nyina, ibivamwo umwana bigenda birarwereka ingene rukura.

Abantu bamwe batwara ivyo bivamwo abana mu rigi no mu mbuto zabo bigenda birabwira uruhinja ruriko rurakura ngo, "Gira urukoba rwirabura cane." Umubiri ugaca ubikora mu gukora ico bita meranine ku rugezo runini cane. Ico nico giha urukoba ibara ryarwo, kandi ni ciza kubera meranine ikingira izuba urukoba rwacu. N'abazungu barafise meranine mu rukoba, ariko abirabure nibo bayifise ari nyishi. Ni ukuvuga rero ko abanya Afrika benshi bafise ibivamwo umwana bibwira uruhinja ruriko rurakura ngo, "Kora meranine nyinshi"

Abantu bamwe bafise ivyo bivamwo umwana bibwira uruhinja ruriko rurakura ngo, "Ntukore meranine. Ntukore urukoba rwirabura." Nimba rero ari umuvyeyi umwe afise ivyo bivamwo umwana, uruhinja ruzokwirabura, kubera ibivamwo umwana vy' uwundi muvyeyi bizoguma bigira biti, "Kora meranine"

Birashika rimwe na rimwe, abantu babiri bakubakana kandi bose bakaba bafise ibivamwo umwana bivuga ngo, "Ntukore meranine."
Muri ico gihe urwo ruhinja ruzokura nkuko bisanzwe ariko ntiruzoba rufise meranine na nke canke ibitanga ibara ku rukoba rwarwo." Igihe ruzovuka uzoshobora kubona amaraso munsi y'urukoba rwarwo, bice bituma rusa nk'urutukura cane.

Uko niko umwana wanyu yabaye nyamwema. Ubunyamwema nivyo twise ukuntu kujanye no guhanahana ubuzima canke n'ivuka ry'umwana. Si indwara. Ni ukuntu kwavuye ku bivamwo umwana vy'abavyeyi bompi.

------------------------------------------------------------------
Vyateguwe na Ibikorwa kwa Buri Mwana
"Ivyizigiro ku bana bibagiwe bo muri Afrika"
Email ecmafrica@ecmafrica.org
Vyahinduwe mu Kirundi na Fabrice Bayubahe